# URUTONDE RW' UKO IBINTU VYIFASHE

# IMPINYANYURO Y'IGITABO MPANAVYAHA (GUHIMBURA AGACE K'IGITSINA GORE) ITEGEKO RYO MU 2013

## Itegeko rya kera

Aho hahise, mu ngingo ya 186C y' Igitabo Mpanavyaha, cari icaha ku muntu yatwaye umwana amukuye mu Ntara y' Amaja Ruguru, canke kugira imyiteguro yo kumutwara afise icipfuzo co kumuhimbura agace k'igitsina gore. Mugabo, nticari icaha gutegura gutwara umukobwa akuze umukuye mu ntara y' Amaja Ruguru ufise ico cipfuzo.

## Itegeko rishasha rikora iki?

*Impinyanyuro y' Igitabo Mpanavyaha (Guhimbura Agace k' Igitsina Gore) Itegeko ryo mu 2013* ryatanguye kw' italiki 4 Kigarama mu 2013.

Itegeko rihinyanyura ingingo ya 186C y' Igitabo Mpanavyaha kugira ngo rikoreshwe ku bakobwa no ku bana. Ivyo bisigura yuko ubu ari icaha ku muntu gutwara umukobwa, yaba uwukuze canke umwana, umukuye mu Ntara y' Amaja Ruguru, canke kugira imyiteguro yo kubigira, ufise icipfuzo co guhimbura agace k' igitsina gore.

Si icipfuzo ry' itegeko guhana canke gucira urubanza uwagiriwe n' icaha. Inkurikizi, n'aho umukobwa yokwiyemerera gukurwa mu Ntara y' Amaja Ruguru, ntazofatwa n'ico caha. Intumbero y'icaha ni uguhana gusa ibikorwa vy'abandi bantu batwara canke bagira imyiteguro yo gutwara abakobwa babakura mu Ntara y' Amaja Ruguru, bafise icipfuzo co guhimbura agace k' igitsina gore.

## Ni kubera iki itegeko ryahindutse?

Muri Ntwarante mu 2013 icegeranyo co mu gihugu cose citwa Isubiramwo ry' Ibijanye no Guhimbura Agace k' Igitsina Gore muri Australia caratangajwe. Ico cegeranyo caratanze ingingo

zashitsweko zo gukingira bimwe bishemeye abakenyezi n'abana guhimburwa agace k'igitsina gore. Muri Ndamukiza mu 2013 Intara y' Amaja Ruguru yariyemeje gufata intambwe yo gushira mu ngiro ingingo zashitsweko mu cegeranyo. Amategeko y' Intara y' Amaja Ruguru yari asanzwe akingira abakenyezi nk' uko ingingo zabishitsweko mu cegeranyo, ariko gukingira umuntu ko bamutwara mu yindi ntara canke mu kindi gihugu ku mvo zijanye no kumuhimbura agace k' igitsina gore vyagarukira ku bana gusa hanyuma abakuze ntiribakingire. Nta mvo yo kugarukiza icaha co guhimbura agace k' igitsina gore ku bana yashoboye kuboneka.

Icavuyemwo n' uko Igitabo Mpanavyaha cahinyanyuwe kugirango abakobwa bakuze hamwe n'abana bakingirwe gutwarwa mu yindi ntara canke ikindi gihugu ku mvo zo kumuhimbura agace k'igitsina gore.

## Igihano

Iyo umuntu yatwaye umukobwa, yaba ukuze canke umwana amukura mu Ntara y' Amaja Ruguru, canke akagira imyiteguro yo kubigira afise icipfuzo co guhimbura agace k' igitsina gore, azoba akoze icaha. Uwo muntu rero azocibwa umunyororo w' imyaka ishika kuri 14.

## Itegeko rishasha rizotangura gukoreshwa ryari?

Umuntu uwariwe wese atwaye umukobwa amukura mu Ntara y' Amaja Ruguru, canke akagira imyiteguro yo kubigira afise icipfuzo co kumuhimbura agace k' ikitsina gore kuva kw' italiki 4 Kigarama mu 2013 azoba agize icaha. Mugabo, iyo icaha cashitse imbere y' italiki 4 Kigarama mu 2013, aho uwakoze icaha ashobora gucibwa urubanza iyo yatwaye canke yagize imyiteguro yo gutwara umwana amuvanye mu Ntara y' Amaja Ruguru afise icipfuzo co kumuhimbura agace k' igitsina gore.